# INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

IKINYAMAKURU GISOHOKA RIMWE MU KWEZI

N° 014 Ntwarante 2025


## ABAGIZE IBIRO VY'INAMA NKENGUZAMATEKA



**Umwubahwa Denise Ndadaye**
**Icegera ca mbere c'umukuru w'inama Nkenguzamateka**

**Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera**
**Umukuru w'Inama Nkenguzamateka**

**Umwubahwa Fabrice Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka**

### INTANGAMARARA

Mu kwezi kw'akaruhuko ka ntwarante, umwaka w '2025, Inama Nkenguzamateka yahoramwo, abagize urwo rwego, uhereye ku mukuru warwo, Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera, ivyegera vyiwe, abubahwa Denise Ndadaye na Fabrice Nkurunziza, bararanguye ibikorwa bitandukanye.

Aha twovuga nk'ingendo Nyeniteka arongoye urwo rwego yagize mu ntara za Bubanza, Bujumbura, Rutana na Ruyigi. Muri izo ntara, yarishikiye aho abenegihugu baba bariko bararangurira imirimo itandukanye, na cane cane ko bariko barimbura umuceri, ibiraya hamwe n'ibigori.

Mu bindi vyaranguwe n'Inama Nkenguzamateka muri ukwo kwezi, harimwo ukwitaba imisi mikuru itunganywa ku rwego rw'igihugu, nk'umunsi mukuru mpuzamakungu wahariwe umukenyezi n'ibindi.

## Umukuru w'Inama Nkenguzamateka asaba abarundi kwijukira igisata c'uburimyi

Ivyo yabishikirije ku magenekerezo ya 3 na 4 ntwarante, umwaka w'2O25, aho yari aramutse arangura igikorwa c'ukwimbura umuceri n'ibiraya mu mirima yiwe, iri ku mitumba ya Gifurwe na Ruzibazi, mu makomine ya Mpanda na Mukike y'intara za Bubanza na Bujumbura.



Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yimbura umuceri

Mw'ijambo yashikirije muri ivyo bibanza vyose, Nyeniteka SINZOHAGERA yasavye abarundi kuguma ku kivi bakarima, bakiteza imbere, ntibasamazwe n'igihe c'amatora Uburundi bwimirije.

Yasavye ubushikiranganji bujejwe uburimyi n'ubujejwe ubudandaji kuja hamwe bugateza imbere igisata c'uburimyi mu gushiraho amahinguriro y'umwimbu, bikazotera intege umurimyi.



Umuryango w'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka mu bikorwa vyo kwimbura ibiraya

Yarashimiye Reta ku twigoro ishira muri ico gisata akayisaba ko yoshinga ibanki ishigikira abarimyi mu bikorwa vyabo nk'uko yabigize ku bakenyezi no ku rwaruka.

## Umukuru w'Inama Nkenguzamateka asaba abakozi b'Imana gukorera mu bumwe

Kw'igenekerezo rya mbere Ntwarante, umwaka w'2025, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA, yarateye iteka ibikorwa vy'uruganda rwo kwigisha abakozi b'Imana gukorera mu bumwe bwa kristo, rwateguwe n'ishirahamwe Partnership International rifadikanije n'ishirahamwe YWAM BU ku bapasitori b'amashengero atandukanye. Ivyo bikorwa vyabereye ku cicaro c'ishirahamwe YWAM BU riri mu Kabezi, intara ya Bujumbura.



Bamwe mu bari bitavye urwo ruganda

Mw'ijambo yashikirije, Nyeniteka SINZOHAGERA yarashimye uruhara rw'ayo mashirahamwe mu guteza imbere igihugu.
Yashikirije ko ibikorwa bakora mu gufasha abatishoboye n'abandi bafise ibibazo bitandukanye ari ivyo gushima cane kuko babikora bisunze imbona kazoza igihugu cashize imbere: igihugu cifashe mu mwaka w'2040 giteye imbere mu mwaka w'2060.

Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, yaratanze inyigisho ku bijanye n'ubumwe muri Kristo, aca arangiza ahamagarira abo ba pasitori gutsimbataza ubumwe mu mashengero barongoye, no gushigikirana.

## Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahamagarira abarundi kwijukira kurima ibihoke

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera, ari kumwe n'umutambukanyi wiwe, n'umukenguzamateka yatowe mu ntara ya Ruyigi, yarateye iteka ibirori vyo kwugurura ivuriro rya Gahambwe ryegamiye ishengero rya Methodiste Unie mu Burundi, riri muri zone na komine Nyabitsinda, intara ya Ruyigi, ku wa 21 ntwarante, umwaka W'2025.



*Abubahwa batandukanye, imbere y'ivuriro*

imyaka itanu y'amavuka.
Lydwine Baradahana.

Nyeniteka arongoye Inama Nkenguzamateka, yarakiriye ibikoresho vy'iryo vuriro, vyashikirijwe n'ubushikiranganji bujejwe amagara y'abantu, yongera arashikiriza amazi meza abenegihugu baba hafi y'iryo vuriro.



*Ikimenyetso c'ukwugurura iryo vuriro*

Mw'ijambo ryiwe, Nyeniteka Sinzohagera, yasavye ubwo bushikiranganji kubandanya bushigikira iryo vuriro mu buryo butandukanye, nko mu kurironsa umuganga yanonosoye ivyo kwakira abavyeyi bibaruka, hamwe n'uwujejwe isuku n'isukura.



*Urugendo mu murima w'ibihoke*

Yabusavye kandi kurironsa umuyagankuba n'incanco z'abana, kurishikana ku ntambwe y'ukuvura no kwakira abavyeyi bibungenze, hamwe n'ukuvura ku buntu abana batarakwiza imyaka itanu y'amavuka.

Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, yahanuye abakozi b'iryo vuriro kwakira neza abarwayi, no kwitanga mu buryo butandukanye mu ntumbero yo kurangura neza akazi bajejwe. Yasavye ubwo bushikiranganji kuronsa imodoka Rusehabaniha ibitaro vy'i Kayero, mu ntara ya Rutana.

Inyuma y'ivyo birori, yaragendeye imirima y'ibihoke y'iryo shengero nyene, iri ku mitumba ya Kabingo na Buyaga muri komine Giharo y'intara ya Rutana, hamwe na Nyakibere, muri komine Kinyinya mu ntara ya Ruyigi.

Yashikirije ko iryo shengero ryashimye guteza imbere ico giterwa, mu ntumbero y'ugushira mu ngiro amahangiro y'iterambere ry'igihugu : Uburundi bwifashe mu mwaka w'2040, buteye imbere mu mwaka w'2060.

Yamenyesheje ko intambwe ya mbere y'uwo mugambi w'uburimyi ari ukurwiza imbuto z'ico giterwa, zikazoshikirizwa abarimyi bose bazipfuza, biciye mu makoperative. Yasiguye ko ico giterwa kimaze kurwizwa, hazokwubakwa ihinguriro ry'amavuta yaco azogurishwa hakaboneka amafaranga.

Yahamagariye abenegihugu muri rusangi kwijukira kurima ico giterwa, kugira ngo biteze imbere.

## Ibirori vyo kurahira kw'umukuru wa sentare ijejwe kugenzura amatungo ya reta na bamwe mu bagize umurwi w'igihugu ujejwe kumenya ukuri n'ukunywanisha abarundi

Mu birori vyari bihagarariwe n'Umukuru w'igihugu, Nyenicubahiro Evariste NDAYISHIMIYE, vyatunganijwe ku wa 24 Ntwarante, umwaka w'2025, mu ngoro y'amakoraniro, mu Kigobe, mu gisagara ca Bujumbura, Umukuru wa Sentare ijejwe gucungera amatungo ya Reta mushasha, hamwe na babiri bo mu murwi w'igihugu ujejwe kumenya ukuri n'ukunywanisha abarundi, bararahiye, imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zikoranye.



*Bamwe mu bari bitavye ivyo birori*

Ku ruhande rwa Sentare ijejwe gucungera amatungo ya Reta, harahiye umwubahwa Léopold KABURA umukuru w'urwo rwego, mu gihe ku ruhande rw'umurwi w'igihugu ujejwe kumenya ukuri n'ukunywanisha abarundi, harahiye Musenyeri Aimé Joseph KIMARARUNGU icegera c'umukuru w'uwo murwi, hamwe na Vianney NDIKUMANA umwe mu bagize uwo murwi.

Ivyo birori vyari vyitabwe kandi n'Icegera c'Umukuru w'igihugu; Umushikiranganji wa mbere, Umukuru wa Sentare ijejwe kwubahiriza Ibwirizwa Shingiro, Umuhuza w'abarundi, abahoze barongoye Uburundi, abarongoye urwego rw'ubutungane, icegera c'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD, abagize Reta, abaserukira inzego z'ubutungane, umutekano n'ukwivuna abansi, abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi hamwe n'abaserukira amashirahamwe mpuzamakungu, n'abandi.

# Inama Nkenguzamateka

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Sénat


**Uruganda rw'iyandikiro:**

- Umukuru w'iyandikiro: GACUTI Marie Justine
- Abanditsi: Léonce Nimpereza, KIGEME Liberate, YAMUREMYE Canesius et Marie Justine Gacuti.
- Amasanamu:

  Rapahël Irakoze
  Gilbert Niyongere
  Prudence Ndimugakirwe
  Habonayo Schem
  Khalfan Ndayizeye

**Gihagarariwe na Clotilde KAMPIMBARE**


## Kurikirana ikiganiro c'Inama Nkenguzamateka kuri:

1. **RTNB (TV)** : Imisi yose ku wa kane (18h 45min)
2. **RTNB (Radio)** : Imisi yose ya gatandatu (9h30min)
3. **Rema (TV)** : Imisi yose ku wa kabiri (21h 00min)
4. **Rema (Radio)** : Imisi yose ku wa mbere (17h30min)


Sénat Burundi,Avenue du peuple Murundi,B.P.114 Gitega, Tél: (+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008,Site web:www.senat.bi